IJANGAZO RYO MU BIRO BIKURU VY'URWEGO RW'UKWIVUNA ABANSI RW'UBURUNDII.

I. Urwego rw'Ukwivuna Abansi rw'Uburundi ruramenyesheje abashaka kwinjira muri urwo Rwego, **mu murwi w'ibisongerezi vy'intwazangabo** ko iyandikwa rizotangura ku musi wambere igenekerezo rya **14 GITUGUTU 2024** gushika ku musi wa gatanu igenekerezo rya **31 GITUGUTU 2024** ku mirwa mikuru y'intara bavukamwo. Abiyandikisha bazokwakirwa kuva isaha zibiri zo mu gitondo gushika isaha zitandatu, no kuva isaha umunani gushika isaha icumi n'imwe zo ku muhingamo.

II. UWO WESE ASHAKA KWIYANDIKISHA ASABWA IBI BIKURIKIRA:

1. Kuba ari Umurundi;
2. Kuba avyishakira ;
3. Kuba afise amagara meza ;
4. Kuba afise imyaka iri hagati ya **18 na 25 ;**
5. Kuba afise urupapuro rwemeza ko yamenye umwaka w'icenda w'amashure shingiro.
   Abamenye ikibazo ca Reta kibaha uburenganzira bw'ukwiga muri kaminuza ntibazokwakirwa;
6. Kuba afise imico n'imigenzo myiza ;
7. Kuba atigeze apfungwa ;
8. Kuba atigeze aba mu Rwego rw'ukwivuna abansi rw'uburundi canke mu Gipolisi c'uburundi canke ngo yirukanwe mu kandi kazi ka Reta ;
9. Kuba atarubaka urwiwe kandi ata mwana afise, akemera kuzoguma ukwo nyene mu kiringo c'inyigisho no mu kiringo c'imyaka itatu (03) yarahejeje izo nyigisho.

III. ATEGEREZWA GUTANGA IBI BIKURIKIRA :

1. Ifotokopi ya karangamuntu ;
2. Urupapuro rwemeza amavuko yiwe ;
3. Urupapuro rwemeza ko atarubaka;
4. Urupapuro rw'umwidondoro wiwe wose;
5. Urupapuro rwa muganga wa Reta rwemeza ko afise amagara meza;
6. Urupapuro rwemeza ko yamenye umwaka w'icenda w'ishure shingiro hamwe n'urupapuro rw'amanota y'umwaka wa nyuma yizemwo;
7. Urupapuro rwemeza ko yigenza neza;
8. Urupapuro rwemeza ko adakurikiranwa n'ubutungane;
9. Amafoto ane ya pasiporo (04).

IV. IBISABWA KUGIRA NGO YEMEREWE KWINJIRA:

1 kuba yaramenye ibibazo vy'ukwandika n' ikibazo c'ukwinonora imitsi;
2. kuba yemejwe ko afise amagara meza n'umuganga ajejwe amagara y'abasirikare mu Biro Bikuru vy'Urwego rw'ukwivuna abansi rw'uburundi.

V. Abazoba banditswe basabwe kuzoba bari ku mirwa mikuru y'intara bavukamwo kw'igenekerezo rya 16 Munyonyo 2024 isaha imwe yo mu gitondo, bafise ibikoresho vy'ugukora ibibazo vy'ibiharuro n'igifaransa. Umusi w'ugukora ikibazo c'ukwinonora imitsi uzomenyeshwa hanyuma.

VI. Iri tanganzo murisanga aho rimanitse ku mirwa mikuru y'intara n'amakomine.

VII. Uwufise ico abaza ashobora guhamagara kuri izi nomero za terefone: 72402632, 68080404; 61115966, 76394827.

Menya Neza: Uwuzofatwa yabeshe ibisabwa azokwirukanwa buno nyene naho azoba yarahejeje inyigisho za gisirikare yongere ashengezwe imbere y'ubutungane. Urwego rw'Ukwivuna abansi rw'Uburundi kandi ruzoshengeza imbere y'ubutungane umuntu wese azoba yaragize uruhara muri ico kinyoma.

UMUKURU W'URWEGO RW'UKWIVUNA ABANSI RW'UBURUNDI

JENERARE Prime NIYONGABO